
# Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Samusoni, Umuntu W'Imana Akomeye


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Lyn Doerksen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org



©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.





Haraheze igihe kirekire, muri isirayeli haraba umuntu yitwa Manowa. We n'umugore wiwe ntamwana bari bwavyare. Umusi umwe, umumalayika w'Uhoraho yiyereka Manowa aramubarira ati: "Uzovyara umwana adasanzwe."




Abarira umugabo wiwe iyo nkuru nziza. Manowa arasenga ati: Mwami...subira ugaruke. Utubwire uko tuzorera uwo mwana.




3



Umumalayika abwira Manowa ko uwo mwana batazomumwa imishatsi, atazonwa ibiboreza, atazofungura imfungurwa zimwe zimwe. Imana yari yatoranije uwo mwana kugira azobe umucamanza. Yategerezwa kurongora Isirayeli.



4



Abantu b'Imana bari bakeneye uwubafasha vy'ukuri. Bari bararetse Imana m'ubuzima bwabo, bari babangamiwe n'abansi babo, abafilisitiya. Ariko basenze Imana, Imana irabumva. Ica irungika uwo mwana yari agiye kuzovamwo umuntu ahambaye kw'isi.

5




Maze wa mugore avyara umwana w'umuhungu amwita Samusoni: uwo mwana arakura, kandi Imana iramuhezagira. Kandi Mpwemu w'Uhoraho atangura kumuzako. Samusoni agenda akomera cane. Umusi umwe afata intambwe ikiri ntoyi n'iminwe misa kandi arayica.

6



Haheze igihe, Samusoni yumviriza k'ubuki bw'inzuki zo mw'ishamba zashize ikimamara cazo mugikankara ca yantambwe yapfa. Aca atanga igisokoranyo ati: "Mumuryi havuyemwo ivyo kurya, m'umunyenkomezi havuyemwo icoroshe."

7



Ntihagira n'umwe ashobora kumenya ico ico gisokoranyo gisobanura-ariko umugore mushasha wa Samusoni, umufilisitiyakazi, abwira abagenzi biwe insiguro y'ico gisokoranyo. Bica bishavuza cane Samusoni.

8

Samusoni yongera gushavura cane igihe abafilisitiya baha umugore wiwe umugenzi wa Samusoni ngo amurongore. Yategura kwihora. Ariko yabigenza gute? Ubwambere Samusoni yafashe imbwebwe amajana atatu, azifatanya imirizo zibiri zibiri, aca ashira imuri zaka hagati y'izo mbwebwe ziboshe.



9

Hanyuma Samusoni aca arekurira zambwebwe mumirima y'ingano y'abafilisitiya.




10

Abafilisitiya bashaka kwihora. Samusoni aretse bakamufata, baca baramuboha bamushikiriza abafilisitiya bashaka kumwica.



11

Ariko Mpwemu w'Uhoraho aza kuri Samusoni. Samusoni acagagura imigozi bamuboheshej, aca afata umusaya w'indogoba yapfuye, awicisha abantu 1000 b'abansi biwe.



12

Abafilisitiya basubira kurondera Samusoni. Umusi umwe mw'ijoro, bamutega umutego mugisagara, baca bugara amarembo y'igisagara. Ariko samusoni arahunga, agenda atwaye inzugi kubitugu vyiwe.




13


Ariko Samusoni ahinduka goyigoyi imbere y'Imana. Uhoraho yamuha inkomezi igihe yari acumvira Imana. Umusi umwe, Samusoni amenera ibanga Delila, umutasi w'abafilisitiya. Aca amwa umushatsi wose wa samusoni igihe yari asinziriye.




14







Samusoni, Umuntu W'Imana Akomeye

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Abacamanza 13-16

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

20



# Iherezo

14

60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16